*Nyakanga 2025* *kirundi*

# Gira umwete!

**Yagira abandi umwizero ukwuzuye!**
(Raba 1 Petero 3, 15)

***Kontakt:*** *Meinolf Wacker*
*Kirchplatz 7*
*59174 Kamen*

*Mobil.:* *+49-172-5638432*
*Mail:* *m.wacker@go4peace.eu*
*Homepage* *www.go4peace.eu*

Bakunzi b'Ijambo,

Muri uyu mwaka mweranda, aho Nyakwigendera Umuhisi Papa Fransisko yadutumirira kuba ingenzi z'umwizero, Xhesilda wo muri Albania aradusabikaniriza „ibihe bikomeye vy'umwizero“ vyamushikiye mu buzima bwiwe. Atubwira ati:

„Aho nari nkuri umuyabaga nari impunzi twe n'abavyeyi banje, twahungiye mu gihugu c'Ubudagi. Twari twizigiye ko twoshobora kuhaguma. Ariko dusavye ubuhungiro baratwankiye, tubwirizwa gusubira mu gihugu cacu. Ariko indoto yanje yagumye ari iyo kwiga mu Budagi. Niho rero naheza nkahagaruka.

Narashoboye kuhiga, ariko mu misi ya nyuma ndumva vy'ukuri irungu ry'ubunyakamwe. Umuryango wanje wari kure, ariko kandi nkumva nta kundi biri bumere, nabwirizwa kubibamwo uko nyene. Harashika rero igihe numva vyananiye kubandanya gurtyo. Mu misa nagiyemwo niho numva umusaseredoti yanshitse ku mutima kubera inyigisho yiwe. Narumvise ko nshize umwizero muri we.

Niho nitora nkarya umutima amenyo nkamusaba umubonano. Araheza aranyumviriza n'ubwitonzi, kandi arampa ingoga zo kubandanya inzira yanje. Twarahwanye kenshi. Narashobora kumwugurukira, nkamuyagira vyose. Igihe cose nataha muhira, narumva akanyamuneza n'ukuremurukwa mu mutima wanje. Agahimbare k'ubuzima bwanje kari kangarutsemwo vy'ukuri.“

Ni muze rero muri uku kwezi kw'icenda twifatanye na Xhesilda muri iki civugo: *Gira umwete!*

Ku bwa go 4 peace Team Meinolf Wacker

---

P.S.: Jangan ragu untuk berbagi pengalaman Anda di aplikasi go4peace di bagian "Temukan & Tulis".